Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Nowa hamwe n'Umwuzurira

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Rémy Christian NTIRURIKURE

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2013 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Nowa yari umuntu yasenga Imana. Abandi bose baranka kandi bakagarariza Imana. Umusi umwe, Imana iravuga ikintu kibabaje.

“Ngiye guhonya iyi si y’abagabitanya,” Imana ibwira Nowa. “Umuryango wawe gusa niwo uzorokoka.”

Imana iteguza Nowa ko umwuzurira munini ugiye kuza kandi ufuke isi.
"Ubaka ubwato mu biti, ubwato bunini kubw'umuryango wawe n'ibikoko vyinshi," Nowa ahabwa itegeko.
Imana iha Nowa amategeko akwiye. Nowa aja ku gikorwa!

Abantu bashobora kuba baramusuzuguye igihe Nowa yabasigurira igituma yubaka ubwato. Nowa arabandanya kwubaka. Arabandanya no kubabwira ivy'Imana. Nta n'umwe yateze ugutwi.

Nowa yarafise ukwizera gukomeye. Yizeye Imana n'aho imvura itari bwigere igwa imbere y'aho.

Haciye igihe, bwa bwato bwari bwuzuye kugira baheze bashiremwo ivya nkenerwa.


Ubwo rero haza ibikoko. Imana izana indwi ku bwoko bumwe bumwe, ubundi bwoko bibiri bibiri.
Inyoni nini na ntoya, ibikoko bito bito na binini bifata inzira yo mu bwato.

Hari n'aho, abantu
baterera mw'ijwi batuka
Nowa igihe yariko yinjiza
ibikoko mu bwato.

Ntibigeze bareka
gucumura ku Mana.
Ntibasavye ngo
binjire mu bwato.


Mu nyuma, ibikoko vyose
n'inyoni zose birinjira
mu bwato.
"Injira
mu bwato,"
Imana ibwira
Nowa. "wewe
n'umuryango wawe."
Nowa, umugore wiwe,
abahungu biwe batatu
n'abagore babo barinjira mu
bwato. Hanyuma, Imana
irugara umuryango!



Hanyuma, imvura iragwa. Imvura y'urutavanako ikwiza amazi hose kw'isi ku misi n'amajoro mirongo ine.

Imyuzurira
yuzura ibisagara
n'imihana yo ku misozi. Imvura
ihise, n'imisozi yari yafutswe n'amazi.
Ikintu cose gihema carapfuye.


Uko amazi yaduga, niko ubwato bwareremba hejuru. Vyoshoboka ko hatabona imbere mu bwato, canke ko hadudagura, canke ko hari hateye ubwoba. Ariko ubwato bwahishije Nowa ngo akire umwuzurira.

Haciye amezi
atanu y'umwuzurira, Imana
irungika umuyaga wo kwumisha.
Bukebuke, ubwato buratekana
hejuru y'imisozi
ya Ararati.

Nowa aguma imbere mu bwato iyindi misi mirongo ine, amazi nayo ariko arasubira inyuma.

Nowa arungika igikona hamwe n'inuma acishije mw'idirisha yuguruye. Kubera ko itashoboye kuronka ikibanza ciza cumutse, inuma iragaruka kwa Nowa.

Haheze indwi imwe, Nowa arasubira arageraageza. Inuma igarukana ibabi ry'igiti c'umusukoni gitotahaye mu kanwa kayo. Mu ndwi ikurikira, Nowa amenya ko isi yumye kuko ya numa igarutse.

Imana ibwira Nowa ko hageze kuva mu bwato. Nowa be n'umuryango wiwe barasohora vya bikoko.

Mbega amashimwe
Nowa yatanze!
Yubaka igicaniro
kandi asenga
Imana Yo
Yamukijije be
n'umuryango wiwe
uyo mwuzurira
uteye ubwoba.

Imana iha
Nowa isezerano
ry'igitangaza. Ko
Itazokwigera isubira
kurungika umwuzurira
mu gucira imanza z'icaha
c'umwana
w'umuntu.
Imana itanga
icibutso c'isezerano
Ryayo. Umunywamazi
niwo wabaye
ikimenyetso c'Imana.

Nowa n'umuryango
baronka intango
nshasha inyuma y'umwuzurira.
Muri ico gihe, abamwamukako
basubira gukwira isi.
Amahanga y'isi yose
yamutse kuri
Nowa
n'abana biwe.

Nowa hamwe n'Umwuzurira

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 6-10

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16